**Bible lessons. Lesson 40. THE LAST DAYS OF JACOB AND JOSEPH/ THE WAY OF EVERYONE**

**Genesis 48:1-4; 13-14; 49:1-3; 50:22-26**

**Memory verse: "Is there a time of hard service for man on earth? Are not his days also like the days of a hired man." Job 7:1**

## IMISI YA NYUMA YA YAKOBO NA YOSEFU/ INZIRA Y'UMUNTU WESE

**Icirwa ca 57**

### Itang: 48:1-4, 13-14; 49:1-3; 50:22-26

Ijambo ngenderwako : ***« Mbega umuntu akiri mw'isi, ntaba ari mu ntambara ? n'imisi yiwe si nk'iy'umucangero*** ? » **Yobu 7 :1**

**I. Intangamarara.**
Izina Yakobo ryabaye rurangiranwa muri bibiliya, kandi rirakunzwe n'abakurikiye Imana bose. Yabayeho ubuzima bugoye cane, avyara abahungu 12, tugiye kuraba iherezo ry'ubuzima bwiwe n'ubwa Yosefu. Aho aba bahungu bari biteguye kumva ijambo ryiwe rya nyuma.

Igihe cose, ijambo rya nyuma ry'umugenzi canke umuvukanyi imbere yo gucikana ; ryama rifise insiguro.

Abantu nka Abraham, Yakobo, Mose, Yosuwa, amajambo yabo, yaba akomeye cane atari uko babaye abakuru muri uyu muryango, ni n'uko bari bafise ingabire y'ukuvugishwa n'Imana no gutahura amabanga yayo.

**II. Yakobo ayaga iryanyuma na Yosefu**
Yakobo yari ashaje, Yosefu agira ubwoba ko imyaka ya se igira ishike kw'iherezo. Niko kujana abahungu babiri arabamuzanira ngo abahezagire. Yakobo yarakunze cane Yosefu kuva akimuvyara. Mwibuke ko yari yaramushoneshereje umwmbaro yamaraba menshi. Ibi ntivyerekana gusa ko se yamugiriye ubuntu, ariko vyerekana ko azoba uwufise ubutware mu biganza vyiwe. Vyarabaye.

Iki co kwegera se cane kuva akiri muto, vyatumye amenya amabanga yose Imana yari yaragiriraniye na se na sekuru Aburahamu. Ibi vyatumye yama yubaha Uhoraho no mu bibazo yaciyemwo.

Arihangana no kutuguvu twanyuma, atangura kumuyagisha. Ahezagira abahungu ba Yosefu abaha umugisha, atako yemeza ko bazoraganwa n'abahungu biwe 12.

**III. Yakobo ahezagira abahungu ba Yosefu/ abwira abahungu biwe ibizobabako.**

Kubahungu ba Yosefu, yarambitse ikiganza c'iburyo k'umutwe w'umuhererezi ; bisobanurwa ko azoba samurarwa kandi ahawe ubukuru mu muryango. Umukuru yamurambitseko ukuboko k'ububamfu. Bitangaza Yosefu. Se aramubwira ati : Nabikonze ndabizi. **49:1-5…**

Biraboneka ko Yosefu atababariye ibisa bose. Aha rero ni hamwe benshi bibaza ngo hari abo Imana yatoranije n'abo yanse kuva kere bataravuka. Oya sivyo. Imana iraba mu mitima ikamenya umwe wese uko ameze n'ibizomubako bigaterwa cane cane n'uko ateye.

Yesu yahamagaye bose ati : « Uwugomba wese naze kuri jewe ndamuruhura. » umuntu niwe afise uburenganzira bwo kwihitiramwo uko azobaho m'ubuzimwa bwo kwizera. Urukundo rw'Imana ni kuri bose.

**IV. Urupfu rwa Yakobo na Yosefu**

Soma Itang. 49:29-33; 50:22-26

Umutama Yakobo yabayeho, imisi imubana mike kandi mibi  nkuko yabivuze, igihe gishitse arahamvya basekuru. Yosefu aramuririra, aramugandarira, aja kumuhambisha i Kanai iyo basekuru bahambwe.

Yosefu aba muri Egiputa gushika akwije imyaka ijana n'icumi. Imisi ya mbere yari iyo ibigeragezo gusa, ayibonekamwo ari umwizigirwa ku Mana, ku Mwami no ku bantu. Imana imugirika imbabazi imushitsako ivyo yamusezeraniye, arasaza, igihe kiragera ahamvya basekuru. Abarahiza ko bazotegerezwa kujana amagufa yiwe i Kanani iyo basekuru basinziriye.

**V. Gushira mu ngiro**

-Yakobo na Yosefu, babayeho ubuzima bugoye ariko baba abizigigwa ku Mana naho hagiye haboneka ivyagiye bigora Yakobo kubera intege nke. Imbabazi z'Imana zamubayeko. Baraga abana babo, Barangiza amahoro. Barabaririra, barabagandarira.

Hamwe nivyo, Imana ya Aburahamu, ya Isaka, ya Yakobo, ya Yosefu iracariho. Yizere uyisabe kuzorangiza amahoro.

-Ubuzima bwawe urimwo ubona hazoboneka abazokurira niyo wagera gupfa ? Urabona ishengero rizogira akanyamuneza mu gihe co kugusezera irya nyuma ? Ubayeho mu nzira ya Yesu canke uricibaza ko uzohoraho ?

-Abandi babajanye i Kanani, wewe ubona umutima wawe uzoruhukira he ? Inzira ni zibiri gusa (mw'ijuru no mu kuzimu). Uri muntambara koko birazwi kuko ukiri mw'isi, kandi imisi yawe ni nk'iy'umucangero. Ni mike. Dukorera mw'isi ariko si iwacu. Ni ahawe guhitamwo.

Eha nubu Yesu ari kungoma, niyo waca bugufi, arakwakira.